
www.kidworship.kr

# Salomo

- Old Testament Ⅱ / 8th story -



63Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Nk'umwami Dawidi, umwami wa Isirayeli, Salomo yarakunda Imana cane. Inyuma y'imyaka myinshi, urusengero rw'Uhoraho ntirwari bwubakwe muri Isirayeli. Abantu basengera Uhoraho ahantu hejuru(hejuru hari igicaniro). Umusi umwe umwami Salomo agenda i Gibeyoni gusenga Uhoraho. Hari ahantu hejuru hiyaguye. Ku gicaniro, umwami Salomo ashikana ibimazi igihumbi vyoshejwe. Uhoraho ahimbarwa n'ikimazi ca Salomo. Umusi umwe, Uhoraho aza kuri Salomo mu nzozi. |
| Imana | "Salomo, nsaba ico ushaka cose ndakiguha." |
| Salomo | "Mpa ubwitonzi n'ubwenge kugira ngo nshobora kuyobora abantu." |
| Uwuvuga | Uhoraho anezerwa n'inyishu ya Salomo. |
| Imana | Ko ico arico umutima wawe wipfuza kandi kuko udasavye ubutunzi bw'isi canke kuramba, ariko ugasaba ubwitonzi n'ubwenge, uzobihabwa. Nta mwami yigeze kubaho canke ntawuzobaho ameze nkawe. |



64Page



65Page


| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Salomo yatoreye umuti ibibazo vyinshi vy'abantu. Umusi umwe, abagore babiri bariko baniganira umwana baza kuri Salomo. |
| Umugore 1 | Turabana mu nzu. Ariko umusi umwe mw'ijoro umwana w'uyu mugore yarapfuye. |
| Uwuvuga | Uwo mugore arapfunagirika hanyuma asubira kuvuga. |
| Umugore 1 | Igihe narinsinziriye, yakavye umwana wiwe yapfuye n'uwanje akomeye. Ndakwinginze nsubizwe umwana wanje muzima. |
| Uwuvuga | Wa mugore agira kabiri yariko arumviriza, aravuga nawe. |
| Umugore 2 | Ivyo si vyo. Ibintu vyose uyu mugore yavuze ni ukubesha. Uwo mugore yaryamye ku mwana wiwe hanyuma nya mwana aca arapfa. None ashaka gutwara umwana wanje akomeye kuko yaradufitiye inzigo twe n'umwana wanje akomeye. |
| Uwuvuga | Abo bagore babiri bose baharira ko umwana ari rwabo. |



66Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Salomo afata akanya ariyumvira hanyuma ubwenge buvuye ku Mana bumuha gufata ingingo idasanzwe. |
| Salomo | “Uwunzanira inkota ngaho!” |
| Umusuku | “Ng’iyi databuja.” |
| Uwuvuga | Umusuku wiwe amuzanira inkota n’ingoga. Salomo ataegeka uwo musuku. |
| Salomo | Fata iyo nkota uhimburemwo uwo mwana kabiri. Uce uha igipande kimwe uwo mugore ikindi urya wundi mugore. |
| Uwuvuga | Bose baratangara. Ariko umugore umwe muri babandi atangura gupfunanga. |
| Umugore 1 | “Ndabinginze ntimunyicire umwana! Ni mumuhe ntaco.” |
| Uwuvuga | Uwo wundi mugore arabisha amaso aravuga. |
| Umugore 2 | “Muhimburemwo kabiri hanyuma tumubure twese.” |
| Uwuvuga | Inyuma y’akanya gato, umwami Salomo n’ubwenge bwinshi arafata ingingo. |
| Salomo | “Hereza uwo mwana uwo mugore yasavye ko umwana atokwicwa. Ni we nyina wiwe bwite.” |
| Uwuvuga | Ni uko uwa mwana ashirwa mu biganza vya nyina wiwe bwite. Abantu bose baratangarira ubwenge bw’umwami Salomo.<br>Uko ni ko umwami Salomo yashoboye guca imanza ziroranye, akoresheje ubwenge buva ku Mana. |

---



67Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Ku bw’ubw’ubwitonzi bw’inganji y’umwami Salomo, Isirayeli igira amahoro. Amakuru y’amahoro yari mu gihugu ca Isirayeli arashikira ibindi bihugu bibanyi, kandi benshi bagirira ishari ubwenge bw’umwami Salomo. Abantu benshi baraza kumugendera. Mbere n’umwamikazi w’I Sheba yaragendeye Salomo amuzaniye n’imikogogote yuzuye inzahabu, ifeza, imigufu n’ibindi vy’agaciro. Umwamikazi w’I Sheba yafashe urugendo rurerure aje kuraba Salomo ngo auhe ubwenge, aramubaza : |
| Umwamikazi | Mbega ni igiki kirusha agaciro ibindi vyose muri iyi si? |
| Uwuvuga | Salomo aramwishura ashize amanga. |
| Salomo | Ikintu kirusha akamaro vyose muri iyi si ni ubwenge. |
| Uwuvuga | Umwamikazi w’i Sheba arushiriza kubaza ibibazo ariko Salomo akavyishura vyose kimwe ku kindi naho vyari bigoye. Uwo mwamikazi aratangarira ubwenge bwa Salomo hanyuma atazira Imana yahaye Salomo ubwo bwenge bw’igitangaza. Aca ahereza Salomo amashikanwa yashikanye. |

| | |
|---|---|
| **Uwuvuga** | **Ico gihe Salomo ahitamwo kubakira Uhoraho urusengero. Atumako ibiti vyiza biva muri Libani. Ategeka abantu kubaza amabuye n'ibiti. Nuko abisirayeli bitanga imyaka indwi mu kubaka urusengero rw'Uhoraho, hanyuma rumaze kwuzura, umwami Salomo n'abisirayeli barukoraniramwo barahimbaza Uhoraho.** |
| **Salomo** | **Mukiza, turagushimiye ubuntu bwawe. Turagutaziye mukiza.** |
| **Uwuvuga** | **Umwami Salomo asenga Uhoraho uku.** |
| **Salomo** | **"Uhoraho, Mana ya Isirayeli, nta yindi Mana ihwanye nawe w'isi mw'ijuru no mw'isi. Niwumvirize isengesho ry'umusavyi wawe. Umva ukurira n'isengesho ry'umusavyi wawe n'abantu bawe. Amaso yawe atumbere uru rusengero ijoro n'umutaga. Kandi nihagira uwukoshereza mugenziwe akaza kugusabira imbabazi muri iki kibanza, uzomwumve iyo uri mw'ijuru uheze uharire ivyaha vy'umusavyi wawe, isirayeli abantu bawe."** |
| **Uwuvuga** | **Umwami Salomo aduza ibiganza vyiwe arangamiza mw'ijuru hanyuma ahezagira abisirayeli.** |